CONFERENCE
DES EVEQUES CATHOLIQUES
DU BURUNDI

Secrétariat Général

IJAMBO RISHIKIRIJWE N'INAMA Y'ABEPISKOPI GATOLIKA B'I BURUNDI KU MUSI MUKURU W'UKWUGURURA YUBILE Y'IMYAKA 50 UBUTUMWA BW'IMIKANGARA Y'IMANA BUMAZE BUTANGUYE MU BURUNDI

« Umwana wese yabatijwe ni umutumwa wa Yezu Kristu mu Burundi no kw'isi yose »

Basaserdoti mwese,

Bihebeyimana mwese,

Mikangara y'Imana,

Ndemeshamikangara,

Namwe bavyeyi,

Bavukanyi mwese dusangiye ukwemera,

Twebwe Abungere banyu, turabaramukije amahoro ya Yezu Kristu, Umumisiyonari wa Mana Data, tubipfuriza n'Umwaka mwiza w'2024. Muze muwugiremwo umwete n'ubutwari bwo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu.

Nk'uko twabibamenyesheje ku musi mukuru wa Epifaniya mu mwaka w'2021, twarinjiye mu mwiteguro w'ukwigina imyaka 50 ubutumwa bw'abana twita Imikangara y'Imana, bumaze burangurwa mu gihugu cacu. Uyu musi rero tuzanywe no kubinjiza icese mu mwaka wa Yubile y'imyaka 50 iyo Mikangara y'Imana imaze irangura ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu.

Iyi Yubile y'imyaka 50 y'ubutumwa bw'Imikangara y'Imana tuyuguruye duherutse gusozera Yubile y'imyaka 125 Inkuru Nziza ya Yezu Kristu itanguye kumenyeshwa mu Burundi. Ekleziya yacu iri mu gahimbare rero k'ukwigina ivyiza bikomoka ku Mana Dawe wa twese yaturungikiye Umwana wayo Yezu Kristu, nawe akamenyesha abato n'abakuze Inkuru Nziza y'Urukiza. Iyo Nkuru Nziza yadushikiriye ku bwa Mutima Mweranda yamurikiye abamisiyonari ba mbere bakarenga ibihugu n'ibindi bayimenyesha gushika bashike n'aha iwacu.